# IFISHE Y'IKORESHWA RYA NIME(NEEM) MU KURWANYA UBUDABUDA(INDIRAGUTUMBA) BWONONA AMASHU

## 1. Ubudabuda bw'amashu (indiragutumba)

Ubudabuda bw'amashu ni ubukoko butobuto bw'umubiri utose bwama buri mu tugwi. Bufise ibara risa n'urwatsi rutoto canke risa n'ivu, bugapima mirimetero(mm) ziri hagati ya 1,6 na 2,8. Ntamababa bugira bukiri buto ariko bukuze burashobora kuyagira.

## 2. Ibimenyetso

Ubudabuda bwonona mu kununuza amababi, agahindura ibara (kweyuka), akizinga canke akamugara, ivyo bigatuma umwimbu ugabanuka. Ibiterwa vyafashwe biragoyagoya kandi ntibikura. Burekura ivyukivyuki bituma hamatako urubobi ku mababi. Ubwo budabuda vyongeye burakwiragiza imigera y'indwara ituma haba igabanuka ry'umwimbu.

Ubwo budabuda buheza gukura mu kiringo kiri hagati y'iminsi 7 na 10 mu gihe hashushe.

Nico gituma bugwira ningoga mu gihe hashushe kandi ata mvura igwa.

## 3. Uko bwonona

Uko ibitigiri vy'ubudabuda vyongerekana niko uruhombo ruba runini.



***Ishusho 1**: Ubudabuda ku mashu*

## 4. Kurwanya ubudabuda hakoreshejwe umuti uva mu mababi ya nime (neem)

Mu kurwanya ubudabuda hashobora gukoreshwa imiti iva mu biterwa nka nime (*Melia Azadirach*), iragabanya akayabagu k'ubudabuda bigatuma butagwira. Ubwo buhinga kama, burubahiriza ibidukikije.

Utegerezwa gukwirikirana ibiterwa kuva mw'ituta bikimera cane cane mu bihe ata mvura igwa kuko ariho ubudabuda bukarira amashu.

## 5. Urugero mfatiro kugira batangure kuvura

Koresha imiti mu gihe mubonye utugwi tw'ubudabuda turi hagati ya 5 na 7 ku giterwa.





***Ishusho 2**: Ibiterwa vya nime*

### 6. Itegurwa n'ikoreshwa ry'umuti uva mu mababi ya nime

- Kwaha no gusekura amababi ya nime;
- Pima ibiro 3 vy'inkambi, zishire mu malitilo 15 y'amazi;
- Rindira amasaha 24 kugira umutobe wimiminuriremwo ;
- Kanyura inkambi ukuremwo umutobe, hanyuma umimine ;
- Imbere yo kuwukoresha, ongeramwo amagarama 8 (ikiyiko) y'isabuni y'ifu (akarorero : OMO);
- Isabuni imaze kuyonga, curanurira mw'ipompo ;
- Pompa uwo muti ku mpande zose z'amababi mu gihe c'umugoroba.

**Menya neza:** Genzura umurima hanyuma wisubirize kuvura mu gihe ubonye ubudabuda ku mababi y'amashu. Pompa ku mugoroba kandi mu gihe ata mvura igira igwe.



*Kwaha amababi*



*Sekura neza amababi ya nime*



*Shira inkambi mu mazi uzirekeremwo amasaha 24*



*Ongeramwo isabuni hanyuma uzungagize*

*Mimina umuti ukoresheje igitambara c'amaso matomato hanyuma uwucishe no mu kayunguruzo k'ipompo*



*Pompa umuti ukiwukora, kumpande zose z'amababi*

**Menya neza** *: 1. Kurikiza ivyavuzwe ku rupapuro rwa mbere*

*2. Ikingire mu gupompa*

**Ishusho 3 : Urukurikirane rw'itegurwa ry'umuti uva mu mababi ya nime urwanya ubudabuda**